REPUBLIQUE DU BURUNDI

CABINET DU PRESIDENT

**DECRET N°100/188 DU 29 JUILLET 2021 PORTANT MODE D'ELECTION DES MEMBRES DU CONSEIL DES NOTABLES DE LA COLLINE**

**LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE,**

Vu la Constitution de la République du Burundi ;

Vu la Loi n° 1/ 010 du 13 mai 2004 portant Code de Procédure Civile ;

Vu la Loi n° 1/08 du 17 mars 2005 portant Code de l'Organisation et de la Compétence Judiciaires ;

Vu la Loi n° 1/03 du 23 janvier 2021 portant Complément des Dispositions du Code de Procédure Civile, relatif à la Réinstitution du Conseil des Notables de la Colline ;

Vu le Décret n°100/007 du 28 juin 2020 portant Révision du Décret n°100/037 du 19 avril 2018 portant Structure, Fonctionnement et Missions du Gouvernement de la République du Burundi ;

Vu le Décret n° 100/119 du 18 décembre 2020 portant Missions et Organisation du Ministère de la Justice ;

Sur proposition du Ministre de la Justice ;

Le Conseil des Ministres ayant délibéré ;

**DECRETE :**

REPUBURIKA Y'UBURUNDI

IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU

**ITEGEKO INOMERO 100/188 RYO KU WA 29 MUKAKARO 2021 RISHINGA INGENE ABAGIZE INTAHE YO KU MUGINA BATORWA**

**UMUKURU W'IGIHUGU,**

Yihweje Ibwirizwa Shingiro rya Repuburika y'Uburundi ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/ 010 ryo ku wa 13 Rusama 2004 rishinga Igitabu c'amategeko agenga iitohoza n'iburanishwa ry'imanza z'amatiti ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/08 ryo ku wa 17 Ntwarante 2005 ryerekeye Igitabu c'amategeko agenga itunganywa n'ububasha bw'ama ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/03 ryo ku wa 23 Nzero 2021 ryunganira ingingo z'igitabu c'amategeko agenga itohoza n'iburanishwa ry'imanza z'amatati, ryerekeye ukunagura Intahe yo ku mugina ;

Yihweje Itegeko inomero 100/007 ryo ku wa 28 Ruheshi 2020 ritunganya Inzego za Leta y'Uburundi, Ingene zikora n'Imirimo yazo ;

Yihweje Itegeko inomero 100/119 ryo ku wa 19 Kigarama 2020 risubiramwo Itegeko inomero 100/037 ryo ku wa 19 Ndamukiza 2018 riringaniza inzego za Reta y'Uburundi, ingene zikora n'imirimo yazo ;

Bishikirijwe n'Umushikiranganji w'Ubutungane ;

Inama Nshikiranganji imaze kubica irya n'ino ;

**ASHINZE :**

## CHAPITRE I : DES DISPOSITIONS GENERALES

**Article 1 :**
Le présent décret fixe le mode d'élection des membres du Conseil des notables de la colline.

**Article 2 :**
Chaque colline constitue une circonscription électorale pour l'élection des membres du Conseil des notables de la colline.

## CHAPITRE II : DES CONDITIONS D'ELIGIBILITE

**Article 3 :**
Le Conseil des notables est composé de quinze membres élus par l'assemblée collinaire et remplissant notamment les critères suivants :

1° être de nationalité burundaise ;

2° être âgé d'au moins 35 ans ;

3° avoir le sens de la vérité et de la justice ;

4° avoir le sens de l'honneur et de la responsabilité ;

5° avoir le sens élevé d'empathie ;

6° être de bonne moralité et ne pas avoir fait objet d'une condamnation qui entache la confiance de la population ;

7° avoir le sens de neutralité et d'impartialité ;

8° avoir le sens du bien communautaire et d'abandon du gain personnel.

**Article 4 :**
Pour chaque élection, les termes de référence sont élaborés conformément aux dispositions pertinentes du Code électoral.

## IGICE CA MBERE : INGINGO NGENDERWAKO

**Ingingo ya 1 :**
Iri tegeko rishinga ingene abagize Intahe yo ku mugina batorwa.

**Ingingo ya 2 :**
Umutumba ni ko karere k'amatora gafatirwako mu gutora abagize Intahe yo ku mugina.

## IGICE CA 2 : IBISABWA KUGIRA UMUNTU YITOZE KUBA MU BAGIZE INTAHE YO KU MUGINA

**Ingingo ya 3 :**
Intahe yo ku mugina igizwe n'abantu icumi na batanu batorwa n'inama yo ku mutumba kandi uwitoza akaba akwije ibi bikurikira :

1° Afise ubwenegihugu bw'umurundi ;

2° Afise n'imiburiburi imyaka 35 y'amavuka ;

3° Ari imvugakuri kandi agendera ubutungane ;

4° Yiyubahiriza kandi yitwararika ivyo ajejwe ;

5° Ashobora gutahura ibibazo vy'uwumwituye ;

6° Yigenza runtu kandi atigeze ahanishwa icaha gituma abanyagihugu batamwizigira ;

7° Atagira aho ahengamiye kandi ata nkunzi ;

8° Yitwararika amatungo rusangi kandi agaheba inyungu ziwe bwite ku neza ya bose.

**Ingingo ya 4 :**
Kw'itora rimwe rimwe ryose, haratomorwa ibisabwa kugira umuntu yemererwe kwitoza hisunzwe ingingo zivyerekeye zo mu Gitabu c'amategeko agenga amatora.

**Article 5 :**
Nul ne peut être candidat à un mandat de membre du Conseil des notables, s'il ne réside pas de manière effective sur la colline ou le quartier concerné depuis au moins cinq ans.

**Ingingo ya 5 :**
Nta n'umwe ashobora kwemererwa kwitoza mu bagize Intahe yo ku mugina igihe ataba amaze vy'ukuri n'imiburiburi imyaka itanu aba ku mutumba canke mw'ikaritiye yerekewe n'ayo matora.

## CHAPITRE III : DES OPERATIONS PREPARATOIRES AU SCRUTIN

## IGICE CA 3 : IBIKORWA BITEGURA AMATORA

**Article 6 :**
Les déclarations de candidature en vue du scrutin sont reçues par le chef de colline ou de quartier sept (7) jours au moins avant le scrutin.

Le jour du scrutin, une commission électorale est mise en place par l'assemblée collinaire. Elle est composée de trois personnes connues pour leur intégrité et leur dévouement mais qui ne sont pas candidats au suffrage.

**Ingingo ya 6 :**
Umuntu ashaka kwitoza mu bagize Intahe yo ku mugina abimenyesha umukuru w'umutumba canke umukuru w'ikaritiye hasigaye n'imiburuburi imisi 7 ngo amatora abe.

Ku musi w'amatora, abagize Inama yo ku mutumba bose barashiraho umugwi ujejwe amatora. Uwo mugwi ugizwe n'abantu batatu bazwi ko ari intungane kandi bitanga ariko bakaba batari mu bitoza.

**Article 7 :**
Au sens du présent décret, l'assemblée collinaire est constituée par les habitants de la colline ou du quartier en âge de voter.

**Ingingo ya 7 :**
Muri iri tegeko, Inama yo ku mutumba igizwe n'abenegihugu baba kuri uwo mutumba canke mw'ikaritiye bakwije imyaka yo gutora.

**Article 8 :**
La Commission veille au bon déroulement du scrutin, apprécie la validité des suffrages et proclame les résultats.

**Ingingo ya 8 :**
Umugwi ujejwe amatora uritwararika ko amatora agenda neza, ukihweza ko amatora yakurikije amategeko hanyuma ugatangaza ivyayavuyemwo.

## CHAPITRE IV : LE MODE DE SCRUTIN ET OPERATION ELECTORALE

## IGICE CA 4 : UBURYO BW'UGUTORA N'INGENE AMATORA AGENDA

**Article 9 :**
Les membres du Conseil des notables sont élus par l'assemblée collinaire au suffrage universel direct et secret.

**Ingingo ya 9 :**
Abagize Intahe yo ku mugina batorwa n'abagize inama yo ku mutumba bo nyene ubwabo kandi mw'ibanga.

**Article 10 :**
Le vote se déroule sur la colline ou le quartier concerné à un endroit choisi par le chef de colline.

**Ingingo ya 10 :**
Amatora abera ku mutumba canke mw'ikaritiye vyerekeye mu kibanza gitorwa n'umukuru w'umutumba.

## CHAPITRE V : DE LA PROCLAMATION DES RESULTATS

**Article 11 :**
Le comptage des voix ainsi que la proclamation des résultats du vote sont faits séance tenante par la commission électorale prévue à l'article 6.

**Article 12 :**
A l'issue du scrutin, sont déclarés élus les quinze premiers candidats ayant obtenu le plus grand nombre de suffrages. En cas d'égalité de voix, le candidat le plus âgé est déclaré élu.

Le premier et le deuxième dans l'ordre des suffrages obtenus assurent respectivement le rôle de président et de vice-président du conseil des notables collinaire.

Les deux choisissent séance tenante, parmi les notables élus, un secrétaire qui sait lire et écrire.

**Article 13 :**
En cas de place vacante d'un membre du conseil des notables collinaires, le remplaçant est désigné à partir des réservistes figurant sur les comptes rendus des élections, suivant l'ordre des suffrages obtenus.

Lorsqu'il n'y a plus de remplaçants, il est procédé à de nouvelles élections

## IGICE CA 5 : UGUTANGAZA IVYAVUYE MU MATORA

**Ingingo ya 11 :**
Amajwi aharurwa akongera agatangazwa n'umugwi ujejwe amatora utegekanijwe mu ngingo ya 6 abenegihugu ari ho bari.

**Ingingo ya 12 :**
Amatora arangiye, abatangazwa ko batowe ni abantu icumi na batanu ba mbere mu bari bitoje baronse amajwi menshi gusumba abandi. Mu gihe hari abanganije amajwi, uwusumvya imyaka abandi ni we aca atangazwa ko ari we yatowe.

Uwa mbere ku rutonde rw'amajwi aca aba umukuru w'Intahe yo ku mugina, uwa kabiri na we akaba icegera c'umukuru w'Intahe yo ku mugina.

Abo na bo baca batora mubatowe, umunyamabanga azi gusoma n'ukwandika, abenegihugu ari ho bari.

**Ingingo ya 13 :**
Mu gihe habonetse ikibanza kigaragara c'umwe mu bagize Intahe yo ku mugina, uwumusubirira agenwa mu batashikiriwe banditswe mu vyegeranyo vy'amatora hakurikijwe amajwi baronse.

Mu gihe ata musubirizi agisigaye, haca hatunganywa ayandi matora.

## CHAPITRE VI : DES DISPOSITIONS FINALES

**Article 14 :**
Toutes dispositions antérieures contraires au présent décret sont abrogées.

**Article 15 :**
Les Ministres ayant l'Administration territoriale et la Justice dans leurs attributions sont chargés, chacun en ce qui le concerne, de l'exécution du présent décret qui entre en vigueur le jour de sa signature.

**Fait à Gitega, le 29 juillet 2021**

**Evariste NDAYISHIMIYE.-**

**PAR LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE,**

**LE PREMIER MINISTRE,**

**Alain-Guillaume BUNYONI**
**Commissaire de Police Général.**

**LE MINISTRE DE L'INTERIEUR, DU DEVELOPPEMENT COMMUNAUTAIRAIRE ET DE LA SECURITE PUBLIQUE,**

**Gervais NDIRAKOBUCA**
**Commissaire de Police Chef.**

**LE MINISTRE DE LA JUSTICE,**

**Jeanine NIBIZI.**

## IGICE CA 6 : INGINGO ZISOZERA

**Article 14 :**
Ingingo zose zahahora ziteye kubiri n'iri tegeko zirafuswe.

**Article 15 :**
Umushikiranganji ajejwe Intwaro yo hagati mu gihugu n'Umushikiranganji ajejwe Ubutungane, umwe wese mubimwerekeye, ni bo bashinzwe ishirwa mu ngiro ry'iri tegeko ritangura gukurikizwa kuva ku musi rishiriweko umukono.

**Bigiriwe i Gitega, ku wa 29 Mukakaro 2021**

**NDAYISHIMIYE Evariste.-**

**KU BW'UMUKURU W'IGIHUGU,**

**UMUSHIKIRANGANJI WA MBERE,**

**BUNYONI Alain-Guillaume**
**Commissaire de Police Général.**

**UMUSHIKIRANGANJI W'INTWARO YO HAGATI MU GIHUGU, UMUTEKANO N'ITERAMBERE RUSANGI,**

**NDIRAKOBUCA Gervais**
**Commissaire de Police Chef.**

**UMUSHIKIRANGANJI W'UBUTUNGANE,**

**NIBIZI Jeanine.**